Ijambo rishikirijwe n'umurwi CNIDH ku bijanye n'agateka ka zina muntu kw'igenekerezo rya 24 Ruheshi 2016

Umurwi w'igihugu wigenga ujejwe agateka ka zina muntu (CNIDH) urafise umwitwarariko ukomeye kubera irwirirana ry'urudandazwa rw'abantu bariko bajanwa mu bindi bihugu, na cane cane mu bihugu vya Arabiya Saoudite na Omani. Umurwi CNIDH urashima ko abarongozi, amashirahamwe adaharanira ivyicaro vya politike co kimwe n'abanyagihugu bamaze gutahura ico kibazo. Umurwi CNIDH urakeje inzego z'umutekano ku ngingo bamaze gufata yo guhagarika abantu 7 no kudomako urutoke amashirahamwe 11 yikekwa ko yagize uruhara mw'igurishwa ry'abantu bashika 263 kuva kw'igenekerezo rya 19 Ndamukiza 2016.

Umurwi CNIDH warakurikiraniye hafi ububisha bwo kwonona ifoto y'Umukuru w'igihugu bwavuzwe mu mashure amwe amwe nko mu Ruziba mu Gisagara ca Bujumbura, mu Mugamba mu ntara ya Bururi, mu Cankuzo, i Makamba, i Muramvya, i Muyinga, hamwe no mu Rumonge. Umurwi CNIDH urahagaritswe umutima n'ipfungwa ry'abanyeshure bashika 22 bagirizwa ico caha. Turashimiye ubushikiranganji bw'indero ku ngingo ibereye bwafashe yo gusubiza mw'ishure abana bari birukanywe kubera ico caha c'ukwonona ifoto y'Umukuru w'igihugu.

Bisubiye, Umurwi CNIDH urabona ko indyane zifatiye ku matongo zarenze urugero ku buryo zisigaye zivamwo kwihorahorana, abantu bagatyozanya, bagakorera inteba ishushe abandi, bakagirizanya uburozi bikavamwo n'ubwicanyi rimwe na rimwe bw'ababesherwa ngo ni abarozi canke ubwicanyi buva ko abantu batatunganirijwe.

Akarorero ka hafi ni ako kw'igenekerezo rya 17 Ruheshi 2016 aho abantu batanu, harimwo umwana w'amezi 8, bishwe vy'agashinyaguro hama bagaca baturirwa mu nzu yabo mu Gitobe, mu ntara ya Kirundo bivuye ku ndyane z'amatongo.

Jonction 21 Boulevard du 28 Novembre –2 Avenue Muyinga, B.P. 1370 Bujumbura – Burundi
Tél. (+257) 22 27 71 20 ; e-mail : cnidh@cnidh.bi, Site Web : www.cnidh.bi

Umurwi CNIDH urababajwe n'uko bene izo ndyane zunyurwa n'itunganywa ribi ry'amatongo ya Leta, kutandikisha amatongo, kugomba gutunga vy'umurengera kandi vyihuta, imanza z'amatongo zicibwa nabi, hamwe n'ukwivanga kw'amaparake mu manza z'amatati bitwaje, n'igihe bidakenewe, ko urubanza rw'amatati rubanza rukarindira ko icaha gitohozwa hama kigahanwa.

Umurwi CNIDH urabona ko inzego z'intwaro n'ubutungane zikwega amaguru mu gutunganiriza abanyagihugu ku bibazo vy'amatongo biri mu ma site ya Maramvya na Kajaga muri komine Mutimbuzi hamwe no muri site Kinyankonge mu gisagara ca Bujumbura hamwe no bindi bibanza. Umurwi CNIDH urabona kandi ko hamwe hamwe abajejwe intwaro bashaka kwiyonjorora mw'itunganywa ry'ayo amasite uturwi twigenga kandi twitwaza igikenye, aho bokoresheje ububasha bahabwa n'amategeko ngo batunganirize abanyagihugu.

Kubera ivyo rero, Umurwi CNIDH uhanuye ibi bikurikira:

Kuri Leta y'Uburundi

1. Gukoresha ububasha bw'igihugu igaharika ibikorwa vyose biteye amakenga vyaba ivy'ukurondera abantu, kubarungika hanze canke gutanga amafaranga, mu gihe biboneka ko ivyo bikorwa bishobora kuba bifise intumbero y'ukudandaza abantu canke kubagira abagurano;

2. Gushiraho vyihuta umurwi mutoyi ujejwe gutohoza n'ugutanga umuco ku kibazo c'ugucuruza abantu, n'ugutanga intumbero ku vyokorwa vuba kugira ivyo bintu bihagarare;

3. Gushiraho wa murwi w'uguhanahana ivyiyumviro n'ugukurikirana ivyerekeye gukinga hamwe n'uguhana icaha c'ugucuruza abantu nk'uko bitegekanywa mw'itegeko No 1/28 ryo ku wa 29 Gitugutu 2014 ryerekeye kurwanya hamwe n'uguhana icaha c'ugucuruza abantu, n'ugukingira ababikorewe.

Jonction 21 Boulevard du 28 Novembre –2 Avenue Muyinga, B.P. 1370 Bujumbura – Burundi
Tél. (+257) 22 27 71 20 ; e-mail : cnidh@cnidh.bi, Site Web : www.cnidh.bi

Ku bajejwe ubutungane n'intwaro basanzwe barabwa n'imanza zerekeye abana

1. Guca ngufi mu gihe cose baronse urubanza rwerekeye icaha cakozwe n'umunyeshure, harimwo rero muri irya dosiye yerekeye kwonona ifoto y'Umukuru w'Igihugu, bagafata ingingo hisunzwe imyaka abana bafise, bagashira imbere ineza y'umwana;

2. Kurondera ibihano bibayabaye, bidatuma abana bapfungwa canke ngo birukanwe burundu mu mashure, nk'akarorero bakabategeka gukora ibikorwa vy'iterambere ry'igihugu canke bakabategeka kurondera amashure ahandi kugira barabe ko bohindura ingeso.

Ku bajejwe ubutungane

1. Kwirinda ko Parake zinjira mu manza z'amatati bidakenewe;

2. Guca imanza zirimwo ubutungane n'ingingo mu kwerekana neza imvo z'urubanza ruciwe.

Kuri abo bose basanzwe bafise uruhara mu ndero n'ugukurikirana abana

1. Guhimiriza abavyeyi n'abana kugira bamenyere kwubaha amategeko n'abarongozi, bakirinda amabwire y'abanyepolitike abicira kazoza, hamwe rero n'ugushira imbere na ntaryo ineza y'abana.

Bigiriwe i Bujumbura, ku wa 24 Ruheshi 2016

Jean-Baptiste Baribonekeza

Umukuru w'Umurwi

Jonction 21 Boulevard du 28 Novembre –2 Avenue Muyinga, B.P. 1370 Bujumbura – Burundi
Tél. (+257) 22 27 71 20 ; e-mail : cnidh@cnidh.bi, Site Web : www.cnidh.bi